# Gusaba ikopi y'urupapuro rwemeza amavuko canke urupapuro rwemeza ukwitaba Imana i Vermont
## Amabwirizwa y'inyongera

VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

Ibiro Bibika Amakuru Adasanzwe
PO Box 70
Burlington, VT 05402

## Amabwirizwa rusangi

- Urupapuro rwo gusaba rwujuje, ruteyeko igigumu **hamwe**n'umwidondoro ukoresha ubu birakenewe mu gusaba ikopi y'urupapuro rwemeza amavuko canke urupapuro rwemeza ukwitaba Imana i Vermont.
- Mu gusaba ubwoko bubiri bw'impapuro zo kwemeza (nk'urupapuro rwemeza amavuko canke urupapuro rwemeza ukwitaba Imana), koresha ikopi igira kabiri y'urupapuro rwo gusaba kuri buri bwoko bw'urupapuro rwo kwemeza.
- Gusaba impapuro zo kwemeza ku bantu batandukanye na dosiye z'ugusaba zitandukanye.
- Ikopi nyinshi z'urupapuro rwo kwemeza rumwe zirashobora gusabwa muri dosiye y'ugusaba imwe.
- Ibintu vyashizweko akanyenyeri (*) **bitegerezwa**kwuzuzwa.

## Urupapuro rwemeza amavuko canke urupapuro rwemeza ukwitaba Imana

- Injizamwo amazina hamwe n'amatariki neza. Mu gihe mu makuru yo muri dosiye y'ugusaba harimwo amakosa, bishobora gutuma tutamenya aho amakuru yawe aherereye.
- Rondera mu bubiko bukuru bwa reta kugira usuzume itariki y'igihe vyabereye canke ayandi makuru: https://secure.vermont.gov/VSARA/vitalrecords/search-tool.php
- Munsi ya Amazina y'Abavyeyi koresha izina ry'umuvyeyi ryakoreshejwe imbere y'ukwubaka urwiwe kwa mbere, rizwi nk'izina ryiwe bwite imbere yuko afata izina ry'umugabo wiwe, mu gihe bikorwa.

## Amakuru y'uwusaba

- Impapuro zo kwemeza zizorungikwa mu gasandugu k'amakete k'uwasavye kanditswe mu dosiye y'ugusaba.

## Ico apfana n'umuntu yavuzwe mu Rupapuro rwo kwemeza:

- Abantu gusa bafise ico bapafana kimwe cavuzwe mu gice ca dosiye y'ugusaba nibo bemerewe gusaba ikopi y'urupapuro rwemeza amavuko canke urupapuro rwemeza ukwitaba Imana, hisunzwe itegeko rya Vermont (18 V.S.A. § 5016 (b) (2).

## Inyandiko z'umwidondoro

- **Urupapuro (1) rw'ubu, rwa mbere rutarata igihe** mu rutonde rw'ibisabwa muri dosiye y'ugusaba rurakenewe. Mu gihe udafise imwe muri izi karangamuntu zitangwa na reta **hari izindi mpapuro zibiri zozisubirira** ziri mu rutonde rw'ibisabwa muri dosiye y'ugusaba zikenewe.
- Iyi aderese iri ku nyandiko y'umwidondoro itegerezwa guhura na aderese y'agasandugu ka posita iri muri dosiye y'ugusaba.
- Niyo warungika dosiye y'ugusaba ubicishije muri posita, uzoshiremwo na fotokopi z'impapuro z'umwidondoro. Izosuzume neza ko izo kopi zisomeka.

## Incamake ku bijanye no kuriha

- Amafaranga y'ikopi y'icemezo agenwa n'itegeko rya Vermont (18 V.S.A. § 5017).
- Riha ukoresheje sheke canke ukurungika amafaranga gukorwa nkuko bisabwa muri dosiye y'ugusaba.
- Rungika ubicishije kw'iposita canke wizanire amafaranga, dosiye y'ugusaba hamwe n'impapuro z'umwidondoro mu kibanza cavuzwe muri dosiye y'ugusaba.

## Igenzura

- Inyuma yo kugenzura amakuru yujujwe muri dosiye y'ugusaba, sohora mu mashini dosiye y'ugusaba (mu gihe wujuje ubusabe mu buhinga bwa none) hanyuma utere igikumu hanyuma ushireko izina n'itariki.